Ukuntu abamarayika bagira ico bakoze kuri twebwe (Igice ca 1)

Bishingiye ku kigabane ca 10 c'igitabu *Mu vy'ukuri Bibiliya yigisha iki?* Ico gitabu kiraboneka kuri jw.org.

INTUMBERO: Gusuzuma ivyo wemera n'igituma uvyemera, gusuzuma ivyo Bibiliya yigisha no kuraba ukuntu wosigurira abandi ivyo wemera.



ABAMARAYIKA NI BANDE?

1 SUZUMA IVYO WEMERA

Abantu babivugako iki?

_____

_____

Wewe uvyibazako iki?

_____

_____

Kubera iki ari ukwo uvyibaza?

_____

_____

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

2 SUZUMA IVYO BIBILIYA YIGISHA

Abamarayika ni ibiremwa vy'impwemu bifise ububasha, ubwenge n'inyiyumvo.

(Raba ikigabane ca 10 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 1-5.)

Soma Yobu 38:4-7, Zaburi 103:20, na Luka 15:10.

Ivyo vyanditswe vyerekana gute ko abamarayika bafise ububasha, ubwenge n'inyiyumvo?

Soma Daniyeli 6:22 n'Ivyakozwe 12:6-11.

Abamarayika beza bafashije gute abasavyi b'Imana muri kahise?

Abamarayika baranezerwa iyo hagize umuntu n'umwe agaruka kuri Yehova.—Luka 15:10

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

Abamarayika bose si beza.

(Raba ikigabane ca 10 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 6-8.)

Soma Ivyahishuwe 12:9.

Twisunze iki canditswe, Shetani yoba ari we mumarayika wenyene yagararije?

Soma Itanguriro 6:2.

Amadayimoni yagararije gute Imana?

Soma Zaburi 34:7.

Kumenya yuko Imana ikoresha abamarayika beza mu kudukingira abamarayika babi barondera kutugirira nabi mu vy'impwemu, bituma wiyumva gute?

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

3 SIGURA IVYO WEMERA

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Abamarayika ntibababaho.

WOSHOBORA KWISHURA UTI: …

Abantu benshi bashobora kuba ari ko babibona. Ariko jewe si ko ndabibona kubera…

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise ku muzirikanyi ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Abamarayika nta co bamariye kubera ko ntarigera ndababona.

WOSHOBORA KWISHURA UTI: …

Ni ivy'ukuri ko abamarayika batiyereka abantu nk'uko vyari mu bihe vya Bibiliya. Ariko ndemera ko hari ico *batumariye* kubera ko…

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise ku muzirikanyi ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania